Umuriro udahera wakikujwe n'ibikundwa n'abantu mu bisayangana vy'isi; Ubwami bw'ijuru na bwo bwakikujwe n'ibidakundwa n'abantu mu vy'isi

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'imana Allah), yavuze iti: "Umuriro udahera wakikujwe n'ibikundwa n'abantu mu bisayangana vy'isi; Ubwami bw'ijuru na bwo bwakikujwe n'ibidakundwa n'abantu mu vy'isi".

[رواه البخاري] [صحيح]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arerekana neza na neza, ko umuriro udahera ukikujwe n'ibintu umuntu akunda akavyipfuza mu guhurumbira gukora ibizira canke mu kudebukirwa gukora ibisabwa; uwuramutse rero atwawe n'ivyipfuzo vy'umutima wiwe, aba ahisemwo umuriro udahera. Arasigura n'uko Ubwami bw'ijuru bukikujwe n'ibintu umuntu adakunda; nko kwubaha akubahiriza amabwirizwa, maze akirinda gukora ibizira, akihanganira kudatwarwa n'ivyipfuzo vyiwe. Iyo rero akoze ibisabwa maze akihangana mu kutavogera ibizira, aba ahisemwo kwinjira mu Bwami bw'ijuru.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/3702